Ikinyamakuru
ca Ekleziya
Gatolika
Umwaka wa 72
Gisohoka kabiri mu
kwezi
Ikiguzi : 500FBu

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi.
Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza »
Jn 10, 11a

Email:ndongozi.journal1939@gmail.com
Facebook : Journal ndongozi y'uburundi
B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337

N°845 15 Myandagaro 2025

# Isengero y'i Mugera, yabaye «Bazirike ntoyi» yitiriwe Antoni w'i Padu Mweranda




Isengero yabaye Katedrali ya mbere mu Burundi, ariyo sengero ya Paruwase Mugera, Papa Leo wa 14 yaraye ayigize «Bazirike». Niyo ya mbere itewe iteka ryo kwitwa «Basilique» mu Burundi, izina rihabwa amasengero Gatorika manini manini. Yitwa uko kubera ubuzima bw'ukwemera muri kahise kayo. Yashinzwe mu 1899.

Paruwase Mugera ikaba ari imisiyoni igira 2 muri kahise ka Ekleziya mu Burundi, inyuma ya Muyaga.

Soma ku Rup. 5

Abakozi ba Ndongozi
Uwujejwe uruganda:
* A. Noël NTIRANDEKURA
Abamenyeshamakuru:
* A. Noël NTIRANDEKURA
* Mélance NDAYIKEZE
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA
Uwujejwe ubuhinga:
* Chanel HARINGANJI
Umunyamabanga:
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA
Umunyabigega:
* MSV Nadine HARAGIRIMANA
Uwujejwe imigenderanire:
* J. de Dieu NDIKUMANA

# Umunyamabanga wa Papa Leon wa 14 yaraye agendeye Uburundi




Foto: A. Noël NTIRANDEKURA

Soma ku Rup. 3

## Ibirimwo

o Umunyamabanga wa Reta y'i Vatikano mu Minago....5
o Umubonano wa Cardinal n'abasaserdoti b'i Burundi....7
o Abashakiranganji bashasha ba Reta y'Uburundi....9
o Uburenganzira bwo kwidegemvya....11

# Idominika ya 18 : *Umwaka C*

## Igisomwa ca mbere: *Yeremiya : 38, 4-6.8-10*

Ivyo dusoma mu gitabu c'Umuhanuzi Yeremiya :

(*Umuhanuzi azira ico yatumwe*)

Mu gihe Yeremiya yari mu mvuto, abashingantahe babwiye Umwami bati : « Uyo muntu akwiye gupfa, kuko yavunye inkokora intwaramiheto zasigaye mu gisagara, eka n'igihugu cose, mu kuvuga ben'ayo majambo. Oya namba, uyo muntu ntashakira ineza igihugu, ashaka ko gitikira. »

Umwami Sedesiyasi arabishura ati : « Ng'uyo mwamwifatiye, Umwami ntabubasha afise kubarusha ! » Baca bafata Yeremiya, bamuta mu kinogo bimvye ku kirimba c'umuganwa Malkiyahu. Bamukororerayo bamuboshe.

Muri ico kinogo, nta mazi yarimwo, atari ikivurugu c'ivyondo ; Yeremiya agikorokeramwo. Intwazangabo y'ingoro y'Umwami, umwe ava muri Etiyopiya yitwa Ebedumeleki, aragenda kubarira umwami ati : « Mwami wanje nyen'ingoma, ivyo abo bantu bagiriye uwo Muhanuzi Yeremiya ni bibi cane ! bamutereye mu kinogo, kandi ari mu kwicwa n'inzara ! » Maze, Umwami abwira umunyetiyopiya Ebedumeleki, ati : « tora hano abagabo batatu, ubajane mukure Umuhanuzi Yeremiya muri ico kinogo, ataratwagwa n'urupfu.»

## Igisomwa ca kabiri: *Bahebreyi :12, 1-4*

Ivyo dusoma mw'ibaruwa ryandikiwe Abahebreyi :

(*Turafise Yezu kw'akarorero*)

Ncuti zanje : ko dukikijwe n'isinzi ryinshi ry'ivyabona, ni duhebe ibituremereye vyose n'ibicumuro bitwizingirako, kandi ni tugire umutima rugabo mu gusiganwa muri rwa rugamba tugenewe, duhanze amaso Yezu, we ndongozi y'ukwemera kwacu akaba ari we akunogereza ; aho yokwishinze akanyamuneza kamubereye , yarashimye kwikorera umusalaba arinda rugabo ibara ryawo, none avyagiye iburyo bw'intebe y'Imana. Ni mutereze agatima rero ku wa rinze amabi angana artyo yatewe n'abanyabicumuro, kugira ngo ntimudohoke mu kwihebura ku mutima. Mu kurwanya igicumuro ntimurigera murinda gushika musese amaraso.

## Inkuru nziza: *Luka : 12, 49-53*

Ivyo dusoma mu Njili nyeranda yanditse Luka :

(*Inyigisho za Yezu zizotwereka inzira twojana*)



Umunsi umwe, Yezu yabariye abigishwa biwe, ati : « jewe naje kuzana umuriro kw'isi, kandi nta n'ikindi nshaka atari uko wokwaka. Ntegerezwa kubatizwa, mbere umutima ntuzoja hamwe, ntaronse iyo batisimu. Mbega, mwiyumvira ko nazanywe kw'isi n'ukuhatera umutekano ? Eka nyabuna ! Ndababwiye ko naje kubateranya. Kuva ubu, inzu ibamwo batanu bazoshira kubiri, batatu batandukane na babiri, babiri nabo batandukane na batatu. Umwana azotandukana na se, se atandukane n'umwana wiwe ; umukobwa azotandukana na nyina, nyina atandukane n'umukobwa wiwe ; umukazana azotandukana na inabukwe, inabukwe atandukane n'umukazana wiwe. »

## Umunyamabanga wa Papa Leon wa 14 yaraye agendeye Uburundi

Cardinal Pietro Parolin, Umunyamanga wa Papa Leho wa 14, akaba kandi ajejwe ivy'intwaro n'imigenderanire ya Reta Vatikano n'ibindi bihugu, yaraye agendeye Uburundi.

- Ku munsi wa kabiri igenekerezo rya 12 Myandagaro 2025, akaba ariho yashika ku kibuga c'Indege ca Bujumbura, yakiriwe n'abanyecubahiro batari bake, uhereye ku Ntumwa ya Papa mu Burundi, Abepiskopi b'Ekleziya Gatolika, Uwaserukiye Reta y'Uburundi, n'akarisu isinzi ntibari batanzwe kwakira uyo mushitsi w'iteka agendeye Uburundi.

***Imvo z'urwo rugendo yagize mu Burundi.***

Ku munsi wa gatatu igenekerezo rya 13 Myandagaro, Cardinal Pietro

Ibik. urup.3

# Umunyamabanga wa Papa Leon wa 14 yaraye agendeye Uburundi

(Bitangurira ku rup.2



Parolin yarahereje inkuka y'imisa, ahagatiwe n'Abepiskopi gatolika b'i Burundi.

Mu nyigisho yiwe, amaze gushikiriza indamutso ya Nyenubweranda Papa Leon XIV, Cardinal Pietro Parolin yabamenyesheje ko ashima ubutumwa bwo guharanira gusubiza hamwe kw'abarundi, Abepiskopi barangura. Ivyo akaba yabivuze afatiye ku ruhara Abepiskopi bagiye baragira mu gusukamwo mabisi mu ndyane zagiye ziribonekeza muri kahise k'Uburundi kuva bucikukira.

Cardinal Pietro Parolin yavuze ko adakekeranya ko Abepiskopi bamaze kubona vyinshi mu butumwa barangura mu nzira y'ukuba abaremesha amahoro n'ukunywanisha abarundi. Yababwiye ati: « Nyenubweranda Papa Leon XIV arazirikana ukuntu mwitangira ubwo butumwa mutiziganya, aranabateye intege ko mutohororokewa ».

**Ab*ungere b'Ekleziya bahamagariwe kwigana Musa, umusavyi w'Imana.***

Ekleziya ngo irazi kandi ko Uburundi buri no mu karere gasanzwe kabangamiwe n'indyane hagati y'abasangiragihugu, kazimazemwo imyaka n'iyindi. Abo Bungere b'Ekleziya rero ngo bahamagariwe na ntaryo kwigana Musa, umusavyi w'Imana yatumwe kuri bene Israeli kuyobora ico gihugu c'Imana agikura mu buja carimwo mu Misiri akijana mu gihugu c'isezerano, maze abo Bungere b'Ekleziya y'i Burundi na bo bakumva ko ubuja bahamagariwe gukuramwo abarundi ari ubw'izinguzingu ry'indyane hagati y'abasangiragihugu babaganisha ku kugiriranira ikigongwe no gusubiza hamwe.



Ku bwiwe, hariho imvo zibiri ata wukwiye kwirengagiza zimutuma abwirizwa gusubiza hamwe na bene wabo.

Imvo ya mbere rero ishingiye kw'ijambo «umuvukano». Umuntu atitaye ku karonderano mwene wabo amugirira.

Iya kabiri na yo ikaba ari uko igicumuro iyo kiva kikagera hose gitosekaza ubunywanyi n'ubucuti atari hagati y'abo bavukana gusa, ahubwo mbere no mu migenderanire n'Imana.


Ng'aha yashimangiye rya jambo Imana yavuze ibwira Gahini iti: «Mwene wanyu ari hehe?», ko ico kibazo kitigera gititu-

Ibik. urup.4

Patiri Noël Ntirandekura

# Umunyamabanga wa Papa Leon wa 14 yaraye agendeye Uburundi

(Bitangurira ku rup. 3



*Abashikiranganji bariko bakurakuranwa mu gushira umukoni mu birabu vy'ishirwa mu ngiro y'amasezerano (Accords spécifiques) y'ibisata bitandukanye biri muri ya maserezerano ngenderwako (Accords Cadres).*

ka mu bantu. Yagize ati: « N'umucumuzi aguma ari umuvukanyi wacu; Imana iguma ishaka kubonamwo abavukanyi bagendera umuvukano mu bubegito bwacu bwose no mu gushamirana kwacu ».

Aho abantu banse gusubiza hamwe, bakaguma bisuka mu rwanko, Imana iguma yibutsa ko «Ico muzoboha kw'isi nomw'ijuru kizoba kiboshe. Ico muzobohora kw'isi cose no mw'ijuru kizoba kibohowe ».

Akaba yasozereye asabira abarundi ku Mana kugira amahoro!

Inkuka ya misa irangiye, Cardinale Pietro Parolin yaciye aja kubonana n'abagize Inama y'Abepiskopi b'Uburundi, ku Cicaro cayo CINOPR



Foto: Chanel HARINGANJI

kiri i Kiriri.

*Ugushira umukono ku masezerano hagati ya Reta na Vaticano*

Ku muhingamo w'uyo munsi, yabonanye n'Umukuru w'Igihugu c'Uburundi Evariste Ndayishimiye, mu ngoro iwe yitiriwe Ntare Rushatsi.

Muri uwo mubonano, Umukuru w'igihugu akaba yakengurutse ukuntu Ekleziya itigeze ireka gufasha igihugu c'Uburundi. Yashimye ko ubucuti hagati ya Leta y'Uburundi n'iy'i Vatikano butagira agasembwa.

Yashimye kandi ko Leta ya Vatikano yagiye irarungika intumwa zayo mu Burundi, gushika n'aho igihe kimwe hari umupapa we nyene yiyiziye, Papa Yohani Paulo-II, iyindi myaka na ho akarungika intumwa. N'uyu musi nyene urugendo rw'Umunyamabanga wa Leta y'i Vatikano rwerekana ko iguma ifise umutima ku gihugu c'Uburundi.

Aho nyene ku kirimba, Cardinal Pietro Parolin yaciye atera umukono ku masezerano yiharije ahuza Inama y'Abepiskopi b'Uburundi na Reta y'Uburundi akaba ari na yo masezerano ahuza Uburundi n'ikirimba ca



Cardinal Pietro Parolin ariko aratera umukono mu Gitabu c'Iteka

Papa (Saint Siège). Ayo masezerano ngenderwako "Accords Spécifiques" niyo yerekene ugukorana neza hagati y'Ekleziya na Reta y'Uburundi.

Na yo ni amasezerano yegwa n'ibisata bitandukanye. Ibisata vyerekeye indero (amashure), ic'amagara y'abantu, ic'ukugarukira ku bari mw'ibohero no mu bitaro, ic'impunzi, igisata cerekeye ukwivuna abansi n'umutekano.
Iyo mikono yashirwako n'abashikiranganji begwa n'ivyo bisata be n'Umukuru w'Inama y'Abepiskopi Katolika (CECAB), Nyenicubahiro Musenyeri Bonaventure Nahimana, imbere y'Umukuru w'igihugu n'uwo mushitsi w'iteka.

Cardinal Pietro Parolin, Umunyamanga wa Papa Leho wa 14 yaciye atera umukono mu gitabu c'Iteka, abona kurangiza urugendo rwiwe.

**Patiri Noël Ntirandekura**

# Umunyamabanga wa Reta y'i Vatikano mu Minago:

## *«Amwe mu mafoto yaranze urwo rugendo»*



Foto: Chanel HARINGANJI

*Cardinal Pietro Parolin ashitse mu Minago ahiciwe Musenyeri Michael Aidan Courtney yari umuserukizi wa Papa mu Burundi, yabanje kuramutsa Musenyeri Salvator Niciteretse arongoye diyoseze Bururi.*



Foto: Chanel HARINGANJI

*Cardinal Pietro Parolin ariko araramutsa abanyaminago bari baje kumusanganira*



Foto: Chanel HARINGANJI

*Ikibanza kizokubakwamwo ivuriro ry'itiriwe uwohoze ari umuserukizi wa Papa mu Burundi, Musenyeri Michael Aidan Courtney. Musenyeri Salvator Niciteretse arongoye diyoseze ya Bururi, akaba yarasavye ko vyoba ibitaro bikuru*



Foto: Chanel HARINGANJI

*Cardinal Pietro Parolin arikumwe n'icegera ca mbere c'umukuru w'igihugu, bariko barashinga ibuye ryambere ry'umushinge w'ivuriro ryitiriwe Musenyeri Michael Aidan Courtney*



Foto: Chanel HARINGANJI

*Cardinal Pietro Parolin ariko aratabura igitambara, ikimenyetso co kwugurura icese icibutso ca Musenyeri Michael Aidan Courtney yiciwe muri ico kibanza nyene, ku bilometero 2 uva kuri paruwase Minago werekeza i Bujumbura.*



Foto: Chanel HARINGANJI

*Iyo migirwa yo guhezagira icibutso n'ibuye ry'umushinge iheze, haciye hakurirkira Inkuka y'Imisa yahererejwe kuri paruwase Minago. Umwanya wose Caldinal Pietro Parolin yaronka akaryo ko guca hafi y'abakristu, carazira ko arengana atabakoze mu ntoke ngo abaramutse. Aho hari mu gihe Inkuka y'Imisa yari isohotse.*



Foto: Chanel HARINGANJI

*Icibutso ca Musenyeri Michael Aidan Courtney, yahoze ari umuserukizi wa Papa mu Burundi, akaba yishwe n'abagizi ba nabi ku wa 29 Kigarama 2003 avuye mu rugendo rw'ubutumwa i Bururi*

**Chanel HARINGANJI**

# Ekleziya y'Uburundi yaraye igabanye Basilike ya mbere ya Mugera.

Ku mwaka ku mwaka, kw'igenekerezo rya 15 Myandagaro i Mugera muri Diyoseze nkuru ya Gitega, abakristu baragira urugendo rweranda ngo bahimbaze umunsi mukuru w'Iyurizwa mw'ijuru rya Bikira Mariya.

Muri uno mwaka wa 2025, umunsi mukuru w'Iyurizwa mw'ijuru rya Bikira Mariya, ukaba wabaye umunsi ntibagirwa mu mateka y'Ekleziya n'igihugu c'-Uburundi aho Paruwase ya Mugera yitiriwe Antoni w'i Paduwa mweranda yaterwa iteka na Papa Lewo wa 14 ryo kuba Basilike, ni ukuvuga isengero ya mbere mu Burundi, yegukira Papa.

Uwo munsi mukuru wari watewe iteka na Karadinale Pietro Parolin, Umunyabanga wa Papa Leon XIV, akaba n'UPapa akaba n'Umushikiranganji wa mbere wa Reta ya Vatikano, uwuserukira Papa mu Burundi, Musen, yeri Datonou Dieudonné, abungere b'amadiyoseze yose y'Ekleziya Katolika y'Uburundi, Umukuru w'igihugu c'Uburundi n'umutambukanyi wiwe n'abandi banyacubahiro, abasaseredoti, abihebeyimana n'abakristu benshi bari basharije umutumba wa Mugera nkinyenyeri zo kw'ijuru.

Ibirori vy'uwo munsi mukuru vy'uguruwe n'umugirwa wo gushikiriza ingingo yashinzwe na Papa Leon XIV ko Paruwase Mugera itewe iteka ryo kuba «Bazilike ntoyi». Hakurikiye amajambo yavugiye ku kirimba ca Bikira Mariya.

Umukuru w'igihugu cacu, yashikirije ijambo ubwa mbere, yabanje guhezagira Imana Se w'Umukama wacu Yezu Kristu yo idasiba kugirira ivyiza vyinshi igihugu cacu, ihezagirwe ko yagiye imbere Karadinale Umunyabanga wa Reta ya Vatikano agashika amahoro mu gihugu cacu, akaba yishikiye no ku kirimba ca Bikira Mariya i Mugera ku musozi ufise amateka muri Ekleziya y'Uburundi n'igihugu cacu.

Ati: «Mugera ni wa Mwana aboneka kuko habonetse abavyeyi babiri, kuko ico kirimba cahezagiwe mu mwaka w'i 1961 hari umuganwa Ludoviko Rwagasore na Reta nshasha yiwe, hamwe n'Inama y'Abepisikopi, amateka ya Mugera aba yemerejwe icarimwe n'Ekleziya hamwe n'Igihugu».

Yaboneyeho gutuma Karadinale Pietro Parolin kuri Papa Lewo wa 14 ko igihe azobona ko bikenewe azoza kuyikwangura kuko adakekereza ko ari Basilike ya mbere yemeje kuva abaye umusubirizi wa Petero Mweranda.

Ijambo rya kabiri ryashikirijwe na Karadinale, aho yagaragaje akanyamuneza afise ko gusangira urugendo rweranda n'abakristu b'i Burundi, no guca mu makanda y'umweranda Yohani Pawulo wa 2 aho yaza mu Burundi mu 1990 agashika n'i Mugera.

Yabandanije iryo jambo akengurukira Umukuru w'igihugu cacu n'abakristu ku gishika bamweretse co kumwakira.

Yarakeje kandi Umwungere wa Diyoseze nkuru ya Gitega n'abakristu bose kuko ari bo bagabanye Basilike nkuru.

Araheza abapfundururira agaseke yazanye ko kugabira Ekleziya y'Uburundi Basilike ya mugera bisunze amateka yayo kuko ariyo yabaye Cathedrale ya mbere y'Uburundi.

Ijambo rya gatatu ryashikirijwe n'Umwungere mukuru wa Diyoseze nkuru ya Gitega, agaragaza akanyamuneza ko kwakira uwo mushitsi w'iteka ku kirimba ca Mugera no gukenguruka ingabire ya Basilike yaje kubashikiriza.

Yashikirije icipfuzo cuko umunsi urizina Papa Lewo wa 14 yoza nawe kuri ico kirimba. Aheraheza iryo jambo atumirira Karadinale ku baja imbere mu guhereza inkuka ya misa, amusaba no kuja gushikiriza abakristu bavyiteguriye indulunjensiya ya rwose.

Mu nsiguro y'ijambo ry'Imana, Karadinale Pietro Parolin ati: « Uyu munsi nuzuye akanyamuneza ko kwigina iteka Bikira Mariya yatewe ryo kurizwa mw'ijuru umubiri n'umutima ahamvya umwana wiwe.

Umubiri wiwe kumwe nuw'umwana wiwe ntiwigeze ukorwako nivyowuzimanganya canke ngo biwutume ubora.» Yaboneyeho kutwibutsa ko urupfu atajambo rudufiseko, Yezu yararutsinze. Adusaba rero kwama twigana Bikira Mariya mu kwakira ishaka ry'Imana, twigana Bikira Mariya yababaye cane mu kwifatanya n'umwana wiwe mu gikorwa co kuducungura. Ati Bikira Mariya abandanya akora ivyiza iyo ari mw'ijuru nta musozi numwe umutangira. Tumwizere mu kwama tumwitura muri ca gisabisho ca mwaramutse Mariya.»

Tubamanyeshe ko inkuka ya misa iheze, uwuserukira Papa mu Burundi yashikirije Basilique akaganuke k'imitamana 4 Nyenubweranda Papa Lewo wa 14 yarungitse. Karadinale nawe aca yongera kugaragaza akanyamuneza yagize mu masabamana yuwo munsi, aca ashikiriza a-bakristu indulujensiya ya rwose.

*MSV M. Goreth Ndikumana*

# Umubonano wa Cardinal n'abasaserdoti b'i Burundi

Ku musi wa gatandatu, igenekerezo rya 16 Myandagaro 2025, mw'Iseminari nkuru yitiriwe Umweranda Patiri mukuru w'i Ars, Umunyamabanga wa Reta y'i Vatikano, Nyenicubahiro Karidinali Pietro Parolin yahaye umubonano Abasaserdoti bo mu Burundi baje baserukira Amadiyoseze yose agize Ekleziya iri mu Burundi.

Nyenicubahiro Musenyeri Bonaventura NAHIMANA, Umwepiskopi mukuru wa Diyoseze nkuru ya Gitega, Umukuru w'Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi akaba ari nawe ashinzwe mu nama y'Abepiskopi Igisata gishinzwe Abasaserdoti n'Amaseminari, yabanje kumuha ikaze amuyagira akanyamuneza Ekleziya iri mu Burundi irimwo k'Iyubile y'imyaka 100 irangiye hatiwe Abasaserdoti 2 ba mbere b'Abarundi.

Musenyeri Bonaventura yibukije Abasaserdoti bari aho kugumiza ku mutima amajambo ya Nyenubweranda Lewo wa 14: «Twaratowe, turigishwa kandi turarungikwa mu butumwa Twarungitswe kuba ivyabona vy'ubumwe, gukunda nka Kristu, kwigisha abantu gukunda, gusenga no kugira urunani mu bikorwa».

Haciye hakwiririkira Ijambo ry'Uwuyoboye Ishirahamwe rihurikiyemwo Abasaserdoti b'imvukira (UCI), Patiri Jean-Bosco HABARUGIRA. Yakengurutse ingene Abepiskopi bitwararika cane Abasaserdoti n'ingene Abakristu bo mu Burundi bakunda kandi bubaha Abasaserdoti. Yasavye ko hoboneka ubufasha kugira ngo abasaserdoti bakarihirizwe ubwenge mu vyigwa bitandukanye harimwo n'Ururimi rw'icongereza ruriko rurakoreshwa mu bihugu vy'Afrika yo mu Buseruko. Yasavye kandi ko hoboneka n'Abasaserdoti b'Abarundi barangurira ubutumwa ku Kirimba kwa Papa nk'uko biri ku bandi banyafrika.

Inyuma y'ayo majambo, Umunyamabanga wa Re-ta y'i Vatikano, Uwiteka Karidinali Pietro Parolin yaciye ashikiriza ubutumwa yari yazaniye Abasaserdoti, aho yibukije ko ubusaserdoti ari ingabirano y'Imana: «Ubusaserdoti buzokwama imisi yose ari ingabirano. Yezu adusangiza ku busaserdoti bwiwe kuko adukunda atari uko tuba tubikwiye. Ukwakira ibitugora mu butumwa ni ikimenyetso c'urukundo n'uburyo bwo kubwira Yezu nka kumwe kwa Petero ko tumukunda: Mukama, urazi vyose, urazi ko ngukunda». Basaserdoti, nimube Abatumwa b'ubumwe kandi mube hafi ubusho mushinzwe.

Inyuma y'ubwo butumwa yaciye aha umubonano Abakuru b'Imiryango y'Abihaye Imana.

Ibikorwa vy'uyo musi vyasozerewe n'Imperezwa y'Ukaristiya yaherejwe n'Uwiteka Karidinali Pietro Parolin. Mu nyigisho yiwe yateye intege Abaseminari bariko baragana ibanga ry'ubusaserdoti busuku: «Baseminari, muri ivyabona vy'ukwizigira kuko mwemeye gufata inzira ibaganisha ibanga ry'ubusaserdoti busuku kandi turi mu gihe kigoye. Umukama arakunda umw'umwe urukundo rwiharije. Nimutere intambwe muzirikana ico Imana ibasaba muri iryo banga kuko ishima abayikorera ata co bisigarije. Mutambukane ukwizigira kuko ntazobasaba ibirengeye ubushobozi mufise. Ni munyakigongwe, yama aduhoza kandi akavura ibikomere vyacu. Mwitegurira kuba ivyabona vy'iyo Mana yama hafi y'igihugu cayo.»

Mwomenya ko ku musi w'Umukama ugira uwa 20 mu gihe gisanzwe, igenekerezo rya 17 Myandagaro 2025, ku Musozi wa Siyoni Gikungu i Bujumbura, Uwiteka Karidinali Pietro Parolin azohereza Imperezwa y'Ukaristiya yo gusozera Iyubile y'imyaka 60 irangiye Ubuserukizi bwa Papa butanguye mu Burundi.

«Ubusaserdoti ni Urukundo rw'Umushaha mweranda wa Yezu»(Umweranda Yohani-Mariya-Vianney ).

*Patiri Léonidas Ntakarutimana*

# Abashakiranganji bashasha ba Reta y'Uburundi

Nyenicubahiro Evariste Ndayishimiye Umukuru w'igihugu, yaraye agenye Leta nshasha igizwe n'abashikiranganji 13 :



1. Umushikiranganji w'intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere rusangi n'umutekano: Léonidas Ndaruzaniye,



2. Umushikiranganji wo kwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba: Marie Chantal Nijimbere



3. Umushikiranganji w'ubutungane, agateka ka zina muntu n'iterambere ridakumira : Arthemon Katihabwa




4. Umushikiranganji w'ibidukikije, uburimyi n'ubworozi: Calinie Mbarushimana;

Ibikur. urup. 9

# Amazina y'abarongozi bashasha b'amakomine

Umurwi CENI uherutse gushinga ingene amakomine azongabanganwa ku moko n'ibitsina mu gutora ba Musitanteri.

Kw'itegeko N°004 ryashizweko umukono ku wa 7 Myandagaro n'umukuru w'igihugu rigena abagiye kurongora amakomine 42 agize intara nshasha 5, bazova mu bwoko n'ibitsina bitandukanye.

Nabo ni aba bakurikira :

**Intara ya BUHUMUZA.**

1. BUTAGANZWA Umugabo : Ngendandumwe Onésime.

2. BUTIHINDA Umukenyezi : Dukundane Carine Belyse.

3. CANKUZO Umukenyezi : Nahimana Marie Rose.

4. GISAGARA Umugabo: Nzirubusa Japhet.

5. GISURU Umugabo : Ndayizamvye Amos.

6. MUYINGA Umugabo : Misago Amédée.

7. RUYIGI Umukenyezi : Niyibitanga Diane

**Intara ya BUJUMBURA:**

1. BUBANZA Umugabo , Simbagoye Jéremie.

2.BUKINANYANAUmugabo, Niyokwizera Isaac.

3. CIBITOKE Umugabo Najeneza Eloge.

4.ISARE Umugabo: Ntirandekura Léonidas.

5. MPANDA Umugabo: Léonard Ndayisaba.
6.MUGERE Umukenyezi: Adélaide Hatangayo.

7. MUGINA Umugabo: Saidi Anicet.

8.MUHUTA Umugabo: Ngoroyimana Philémon.

9.MUKAZA Umukenyezi: Bigirimana Aline.

10.NTAHANGWA Umugabo: Alexis Havyarimana.

11.RWIBAGA Umugabo: Manirakiza Fréderique

**Intara ya BURUNGA:**

1.BURURI Umukenyezi: Ntakirutia Godelive.

2.MAKAMBA Umugabo: Prosper Bizimana.

3.MATANA Umukenyezi: Niyubahwe Gloriose.

4.MUSONGATI Umukenyezi, Niyoyitungira Claudine.

5. NYANZA Umugabo, Dusengimana Diomède.

6.RUMONGE Umugabo, Minani Augustin.

7. RUTANA Umugabo, Ntakirutimana Gordien

**Intara ya BUTANYERERA:**

1.BUSONI Umugabo: Karenzo Francois Xavier.

2.KAYANZA Umugabo: Niyonizigiye Godefroid.




***Ikarata yerekana amakomine 42 mashasha mu Burundi***

3.KIREMBA Umugabo: Habiyakare Pascal.

4.KIRUNDO Umugabo: Ndikuriyo Jean Berchmans.

5. MATONGO Umukenyezi: Kanyana Ja-nvière.

6.MUHANGA Umukenyezi: Nizigiyimana Annociatte.

7.NGOZI Umugabo : Ndikuryayo Dominique.

8.TANGARA Umugabo : Ndikuryayo Jean Pierre

**Intara ya GITEGA:**

1.BUGENDANA Umugabo : Ciza Mechiade.

2. GISHUBI Umugabo : Baryana appolinaire.

3.GITEGA Umugabo : Dr nduwimana Jacques.

4.KARUSI Umukenyezi : Butoyi Vanessa.
5.KIGANDA Umukenyezi : Irakoze Diane

6.MURAMVYA Umugabo : Nkurunziza Eric.

7. MWARO Umugabo : Rwarukundo Callixte.

8.NYABIHANGA Umukenyezi : Niyonzima Marie-Chantal.

9. SHOMBO Umugabo : Ndayikengurukiye Rénovat

Bino biharuro vyerekana ko ku basita-nteri 42 :

1. Abahutu ari 28, bagizwe n'abagabo 22 n'abakenyezi 5.

2. Abatutsi ari 15, bagizwe n'abagabo 6 n'abakenyezi 8.

3. Abakenyezi bose hamwe ari 13.

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Abashakiranganji bashasha ba Reta y'Uburundi

*(Bitangurira ku rup. 7*






5. Umushikiranganji w'indero n'ubushakashatsi: Dr François Havyarimana.




6. Umushikiranganji w'amagara y'abantu: Dr Lyduine Baradahana.




7. Umushikiranganji wo kumenyesha amakuru n'ibinyamakuru: Gabby Bugaga.




8. Umushikiranganji w'urwaruka, inkino n'imico kama: Lydia Nsekera.




9. Umushikiranganji w'inyubako, uburaro rusangi, ugutwara abantu n'ibintu hamwe n'ibikoresho: Jean Claude Nzobaneza.




10. Umushikiranganji w'ubutare n'agataka, amasoko ntanganguvu, amahinguriro, ubudandaji, n'ingenzi: Dr Hassan Kibeya;




11. Umushikiranganji w'akazi, abakozi ba reta no gutegekaniriza kazoza abakozi: Lt Gnl de pol Gabriel Nizigama:




12. Umushikiranganji w'imigenderanire y'Uburundi n'ayandi makungu, iyinjira ry'Uburundi mu miryango yo mu karere no gufashanya mw'iterambere: Edouard Bizimana.




13. Umushikiranganji w'ubutunzi, ikigega ca Reta, n'ubutunzi bufatiye ku buhinga bwa none: Alain Ndikumana;

***Patiri Noël Ntirandekura***

*Tubamenyeshe ko abo bashikiranganji uko ari 13, bose bakomoka mu muga-mbwe CNDD-FDD. Iyo Reta yashinzwe inyuma y'amatora y'abashingamateka 108 bo muri CNDD-FDD n'abatwa 3, n'inyuma y'amatora y'abajenama b'amakomine yari yabaye ku wa 5 Ruheshi 2025, hamwe n'amatora y'abakenguzamateka 10 bo mugambwe CNDD-FDD n'abatwa 3 yari yabaye ku wa 23 Mukakaro 2025.*

# Uburenganzira bwo kwidegemvya

Uburenganzira bwo kwidegemvya, ni uburenganzira buhabwa zinakiremwa muntu mu buzima bwiwe bwa misi yose.

Nta na kimwe gishobora gutuma kiremwamuntu yakwa uburenganzira bwo kwidegemvya, kiretse hari ikibitumye kandi kikaba gitegekanijwe n'amategeko.

Ubwo burenganzira butangwa n'amategeko atandukanye,yaba ayo ku rwego mpuzamakungu ndetse n'ayo dukoresha aha iwacu mu Burundi. Tuja gushimikira ku vyo ayo mategeko ategekanya kugira ngo ubwo burenganzira bwubahirizwe.

Ayo mategeko atandukanye, ategekanya kwubahiriza ubwo burenganzira mu kubuza ibikorwa bibuhonyanga hamwe no guhana ababikoze. Ivyo navyo ni uguhagarika, ugupfunga, ukunyuruza, ukugira igikoresho canke ukugira ikidandazwa umuntu, muri rusangi ukumugira imbohe mu buryo bunyuranye n'amategeko.

**1. Ingene amategeko mpuzamakungu ategekanya uburenganzira bwo kwidegemvya**

Uburenganzira bwo kwidegemvya buranga zina kiremwamuntu wese. Nta n'umwe arekuriwe kwaka ubwo burenganzira kiremwamuntu canke ngo akore ikintu ico ari co cose kibangamira ubwo burenganzira, kandi ibi tubisanga mu mategeko mpuzamakungu atandukanye.

Nk'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu mu ngingo yaryo ya 3, iravuga ko umuntu wese afise uburenganzira bwo kubaho, kwidegemvya no gutekanirwa hamwe no gukingirwa.

No mu masezerano mpuzamakungu mu vy'uburenganzira bw'abantu no mu vyerekeye intwaro, turasangamwo ingingo zerekana ko kizira gupfunga canke kurenganya umuntu akakwa umwidegemvyo.

Tubisanga mu gace ka mbere k'ingingo y'9 kavuga ko ata muntu n'umwe ashobora gufatwa canke ngo apfungwe ataco biciyeko. Karongera kandi ko ata n'umwe ashobora kurenganywa ngo yakwe umwidegemvyo, kiretse biturutse ku mvo zategekanijwe n'amategeko.

Agace ka 3 nako karatomora ko bishitse umuntu agafatwa, ategerezwa kumenyeshwa ubwo nyene imvo z'iryo hagarikwa, akongera akamenyeshwa ico yagirizwa.

Umuntu rero iyo bishitse akakwa umwidegemvyo, arafise uburenganzira bwo kwitura sentare.

Nk'uko tubisanga mu gace ka 4 k'iyi ngingo y'9 karavuga ko, uwo wese ahagaritswe akaja gupfungwa, arafise uburenganizira bwo kwitura sentare kugira imurabire ko ivyiwe biciye mu mategeko, atari uko naho igategeka ko arekurwa, agasubira kwidegemvya.

Mu ntumbero yo kwereka kiremwamuntu ko kwaka umwidegemvyo umuntu ari ikizira, ingingo ya 5 y'aya masezerano nyene, iravuga ko ata ngingo n'imwe muri aya masezerano yofatwa nk'uko irekurira igihugu, umuntu canke umurwi w'abantu uburenganzira bwo kugira ico ari co cose gisambura canke kizimanganya ubwo burenganzira bwemejwe n'aya masezerano canke ngo kiyashingire akandi karimbi katari muri yo.

Ku rwego mpuzamakungu rero, ubwo burenganzira ntibutegekanijwe gusa muri aya masezerano abiri tuvuze aho hejuru. Oya namba, no mu masezerno ya Afrika yubahiriza agateka ka zinamuntu n'ak'abenegihugu, burategekanijwe.

Nk'uko tubisanga mu ngingo ya 6, nta muntu n'umwe ashobora kubuzwa umwidegemvyo, kiretse biturutse ku gituma cagaragajwe na sentare, cane cane ko ata n'umwe birekuwe ko afatwa ngo apfungwe adaciriwe urubanza kandi atakimwagiriza, ko ata n'umwe ashobora kurenganywa ngo yakwe umwidegemvyo, kiretse biturutse ku mvo zategekanijwe n'amategeko.

Biragaragara ko ibi bikorwa mu ntumbero yo kurwanya guhagarika abantu bidaciye mu mategeko, kubanyuruza canke kubakorera ico cose coza kibabuza kwidegemvya no gutekanirwa.

Izi ngingo rero duhejeje kudondagura muri aya mategeko mpuzamakungu atandukanye, ni izerekana ko uburenganzira bwo kwidegemvya ari ubwa zina kiremwa muntu wese, kandi ko iyubahirizwa ryabwo risanzwe ritegekanijwe.

Ubwo burenganizra rero ntibugarukira ku rwego mpuzamakungu gusa, kuko no ku rwego rw'ibihugu kimwe kimwe kubicerekeye bivanye n'ingene gitunganijwe, buraategekanijwe.

**2. Ingene amategeko y'Uburundi ategekanya uburenganzira bwo kwidegemvya**

Amategeko y'Uburundi arategekanya ko kizira kwaka umwidegemvyo umuntu mu kumuhagarika no kumupfunga ata mvo zitegekanijwe n'amategeko zashinzwe na Sentare, canke kumugira imbohe mu buryo butandukanye bwaba mu bikorwa nko kumunyuruza, kumugira igikoresho canke ikidandazwa, bwaba mu vyiyumviro no mu nyifato.

Harategekanijwe ndetse n'amategeko ahana uwagiriwe n'icaha co kutubahiriza ubwo burenganzira.

Ibwirizwa Shingiro ry'Uburundi mu gace ka mbere n'aka kabiri tw'ingin-

Ibikur. urup. 11

# Uburenganzira bwo kwidegemvya

(Bitangurira ku rup.10)

go ya 39, turavuga ko ata muntu n'umwe ashobora kwakwa umwidegemvyo wiwe kandi ko ata muntu n'umwe ashobora gukurikiranwa, gufatwa, gupfungwa canke gucirirwa urubanza, kiretse mu bihe bitegekanijwe n'ibwirizwa ryatangajwe imbere y'uko ivyaha yagirizwa bikorwa.

Ntitwokwibagira kandi ko hariho n'Ibwirizwa nomero 1/28 ryo ku wa 29 gitugutu 2014 ryerekeye kubuza kwaka ubwigenge umuntu mu kumugira umuja, mu kumukoresha mu bushurashuzi canke mu kumukoresha ibindi bikorwa ku nyungu za nyene kumugira umuja. Iri bwirizwa rirakingira abagizwe abaja muri ubwo buryo, rikongera rigahana abagirijwe ivyo vyaha.

Iri bwirizwa ryarategekanije kandi mu ngingo yaryo ya 10 ibihano bigizwe n'umunyororo uva ku myaka 5 gushika ku myaka 10, n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi 100 gushika ku mafaranga ibihumbi 500 uwagiriwe n'icaha co kugira imbohe umuntu.

Igitabu c'amategeko mpanavyaha carategekanije ibihano kuri uwo wese yagiriwe n'icaha co kutubahiriza ubwo burenganzira bwo kwidegemvya.

Ingingo ya 257 ivuga ko uwo wese akoresheje inguvu, urwenge canke iterabwoba, yanyuruje canke yatumye banyuruza, yafashe canke yatumye bafata, yapfunze canke yapfungishije umuntu uwo ari we wese ata mvo, ahanishwa umunyororo uva ku mwaka umwe gushika ku myaka 5.

Iyi ngingo ibandanya ivuga ko iyo gufata canke kunyuruza umuntu vyagizwe hakoreshejwe umwambaro canke ikimenyetso c'akazi canke hakoreshejwe ububasha butari bwo, igihano gitangwa ni ic'umunyororo uva ku myaka 10 gushika ku myaka 20.

Iyo uwanyurujwe yaciye yitaba Imana kubera gukubagurwa mu gihe co kunyuruzwa, igihano kirahinduka.

Hategekanijwe mu gace ka 3 k'iyi ngingo ya 257 ko uwagiriwe n'ico caha ahanishwa igihano co gupfungwa ubuzima bwose.

Ingingo y'258 na yo ivuga ko, uwo wese yanyuruje canke yatumye banyuruza, yafashe canke yafatishije, yapfunze canke yapfungishije abantu abo ari bo bose mu ntumbero yo kubagurisha nk'abaja canke uwatanze abantu ajejwe muri iyo ntumbero nyene, nawe nyene ahanishwa ibihano bitegekanijwe mu ngingo ya 257.

Ingingo y'427 yoyo ivuga ko umukozi wa Reta canke uwo wese ajejwe ibikorwa yashinzwe na Reta mu ntwaro canke mu nzego zishinzwe umutekano, akoze icaha co kubuza umuntu canke abantu kwidegemvya canke akababuza kuran-



gura ivyo bakeneye mu mwidegemvyo mu gihe babirekuriwe n'amategeko, canke agatuma canke uwatumye ivyo vyaha bikorwa, ahanishwa umunyororo uva ku misi 15 gushika ku mwaka umwe, agatangishwa n'ihadabu ry'amafaranga ibihumbi 10 canke agahanishwa igihano kimwe muri ivyo.

N'igitabu c'amategeko agenga ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa n'ingene zicibwa, caragize ico kivuga mu vyerekeye iyubahirizwa ry'ubwo burenganzira.

Ingingo y'154 ivuga ko, kubera ukwidegemvya ari uburenganzira bw'uwo ari we wese ugupfungwa bikaba izindi ngingo zose zananiwe, uwagirijwe icaha ntashobora gupfungwa ivy'agateganyo kiretse iyo habonetse ivyagiriji bikwiye bigaragaza ko yakoze icaha, kandi ivyo yagirizwa biboneka ko ari icaha gihanishwa umunyororo utari musi y'umwaka.

Iyi ngingo ibandanya ivuga ko ugupfungwa ivy'agateganyo bidashobora kugirwa canke kubandanya kiretse iyo ari bwo buryo bwonyene bwotuma n'imiburiburi kimwe muri ibi bikurikira kirangurwa:

- Kugumana ivyemezo n'ibimenyetso biboneka vyerekeye icaha, kubuza ko amasura n'abakorewe icaha baremerwa ngo bahindure, bahebe imburano zabo canke bene gukora icaha n'ababafashije baje inama yo kubesha;

- Kubuza ko umutekano uhungabana kubera ico caha cakozwe;

- Kubuza ko icaha kibandanya canke gisubira gukorwa;

- Kugumiza uwukurikiranwa aho ashobora kuboneka mu gihe cose ubutungane bumukeneye.

Ingingo yo kugumiza umuntu apfunzwe itegerezwa gutangirwa imvo zishemeye nk'uko iyi ngingo ibandanya ibivuga.

Mu gusozera, twomenya ko kwidegemvya ari uburenganzira bwa zinamuntu wese, kandi ko butegerezwa kwubahirizwa hisunzwe ibitegekanijwe haba mu mategeko mpuzamakungu ndetse no mu mategeko y'Uburundi. Kirazira ko zinamuntu yakwa umwidegemvyo.

*Ikigo kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »*

# Kuba mw'ikoraniro kaminuza ry'abanaguwe muri Mutima Mweranda ni kugirirwa ubuntu n'Imana

*« Kuba mw'ikoraniro kaminuza ry'abanaguwe muri Mutima Mweranda ni ukugirirwa ubuntu n'-Imana ».*

Ayo ni amwe mu majambo Musenyeri Anatole Ruberinyange, icariho c'-Umwungere mukuru wa diyoseze nkuru ya Bujumbura, yavuze mu gihe co kugurura ihwaniro kaminuza rigira kabiri ry'umuryango katolika w'abanaguwe muri Mutima Mweranda muri Diyoseze nkuru ya Bujumbura. Iryo hwaniro ryuguruwe kw'igenekerezo rya 4 Myandagaro risozerwa kw'igenekerezo rya 9 Myandagaro muri Foyer de Charité i Bujumbura.

Mu nkuka ya misa yo ku mugoroba wo ku wa 4 Myandagaro, Musenyeri Ruberinyange yifashishije inkuru nziza yo kuri uwo musi aho Yezu yaterwa impuhwe n'aryabantu akabona ko bashonje hanyuma akabwira abatumwa biwe ngo babagaburire, yabwiye abatewe iteka ryo kuza muri iryo koraniro ko nabo batewe iteka ryo kuba abatumwa ba Yezu bamufasha kugaburira igihugu ciwe kugira ngo gishire ipfa. Ati : « Abandi batumwa bagaburiye abantu imikate isanzwe, ariko mwebwe muhamagariwe gusangiza abandi ijambo ry'Imana na Ukaristiya. »

Ku kijanye na Ukaristiya, Musenyeri Anatole yamenyesheje abari ngaho ko Ukaristiya ari ubuzima budahera. Ahatari Ukaristiya haba ari mu bugararwa. Abakurikira ahatari isakramentu ry'Ukaristaiya ngo barajuragirika. « Ahantu habuze ukaristiya hasa no mu gahinga k'imburamazi. » Ati : Ndabasavye mukomeze ukwemera, mufashe n'abandi gukomeza ukwemera. »

**...Dusabikanye neza ivyo Imana iduha**

Afatiye kuri iryo jambo nyene ry'ingene abatumwa basabikanirije imikate isinzi ry'abantu, Musenyeri icariho c'Umwungere Mukuru yibukije abakiristu bari baje muri iryo koraniro ko uno mwaka icivugo c'ubutumwa muri Diyoseze nkuru ya Bujumbura ari gukomeza Ekleziya Muryango mukugira ubumwe n'urukundo no mu gusabikanya ivyo Imana iduha. Abigishwa ngo nibo Yezu yahaye imikate ngo bayigabure. Ubu naho, abigishwa Yezu atuma ni twebwe.

« Hari abibagira ico Imana yabagize bagaheza bakiyibagira, bakibagira ko ataco bafise bihaye. Mu vyo dusabikaniriza abandi rero hariho itunga, ubwenge, ubumenyi, ingabirano za Mutima Mweranda, gukiza; kwigisha neza, za ngabirano z'agakura hamwe n'ibindi vyose Imana iduha. Imana ntiduha amatungo gusa, hari n'ubundi buhinga bwinshi iduha. Turasabwe kubisabikaniriza abandi kugira ngo tubere abandi umugisha,



tubera abandi umuhezagiro. »

**Kunagura imigendeRanire myiza n'Imana niryo hangiro ry'iryo hwaniro.**

Inyigisho zose zatanzwe muri iryo hwaniro ry'imisi itanu zaguma zigaruka ku kuvyura ubunywanyi bw'uwanaguwe muri Mutima Mweranda kumwe n'Umukama. Ku civugo ngo « Nimwaguma muri Jewe nayo amajambo yanje akaguma muri mwebwe, muzosaba ico mushaka mukironke».(Yohani 15,7), abigishije bagarutse ku kibanza Ijambo rya Yezu rifise mu buzima bw'uwemera.

Patiri Amando Kana Umwibutsamana w'umuryango katorika w'abanaguwe muri Mutima Mweranda ku rwego rw'igihugu, mu nyigisho yiwe ya mbere mu nyigisho zuguruye iryo hwaniroa ati: « Yezu niwe yivugira ko ari umuzabibu abatumwa biwe nabo bakaba amashami ».

Patiri Amando ati: « Iryo ni iteka rikomeye kuko rikuririza umuntu, kuko uwo muntu yarasanzwe afise kamere muntu gusa, muri iryo jambo afatanwa n'uwudapfa, ariwe Kristu... Umutima wiwe utera indihaguzi muri twebwe, amaraso yiwe atemberana muri twebwe. Nico gituma igihe Sauli yariko arahama abakristu, Yezu yamubwiye ngo: ni jewe Yezu uriko urahama ».

Arongera ati: « Muri iryo teka ryo kuba ingingo za Kristu, niho duca turonkera umuhango wo gusaba ico dushaka cose kandi tukakironka. Ivyangombwa kugira ngo dusabe tugabana ni kuguma muri Yezu, amajambo yiwe nayo akaguma muri twebwe. Uwahishuriwe ako kabanga arahiriwe cane.»

Tubamenyeshe ko iryo hwaniro ryasozerewe no kwishingira ingingo nkuru nkuru z'ingene umuryango katolika w'abanaguwe muri Mutima Mweranda muri Diyoseze nkuru ya Bujumbura wobandanya utunganywa neza.

*Mélance Ndayikeze*